# ITANGAZO N°11/2024 RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 14 MYANDAGARO 2024

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 14 Myandagaro 2024, i Gitega, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama rukongera rukemezwa, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye ku magenekerezo ya 07, 08 na 13 Myandagaro 2024, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa muri iyo nama nshikiranganji.

## 1. Umugambi w'igihugu werekeye igwirirana ry'abantu,

washikirijwe n'umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano.

Mu mwaka wa 2022, Abarundi barenga imiriyoni cumi na zibiri, mu mwaka wa 2030 bakaba bashobora kuzoba barenga imiriyoni cumi na zine.

Ku bantu batunzwe ahanini n'uburimyi nk'Abarundi, iryo gwirirana ku murindi munini nk'uyo rifise inkwirikizi nyinshi kandi zitandukanye ku bijanye no gutegekaniriza kazoza, amagara, indero, akazi, amazi meza n'isuku, uburimyi n'ubworozi.

Mu ntumbero yo guhangana n'izo ngorane, Reta y'Uburundi yarateguye ibitabo ntunganyamigambi mu bisata bitandukanye. Vyose vyagumye vyerekana akamaro ko gushiraho umugambi werekeye igwirirana ry'abantu mu ntumbero yo guhangana n'iryo gwirirana ku murindi udasanzwe, kugirango n'intambamyi kw'iterambere rirama ziva kuri ico kibazo zitorerwe umuti. Iyi nteguro y'uwu mugambi ije muri iyo ntumbero.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro y'umugambi, yasanze ahubwo hobanza gutegurwa uruganda rwohuriramwo abo bose begwa n'ikibazo c'igwirirana ry'abantu kugirango bahanahane ivyiyumviro k'ukugene umuryango wifashe mu Burundi, kugirango uwo mugambi uzofatire ku vyiyumviro n'intererano bizoba vyashikirijwe.

## 2. Urwandiko ruhamagarira Uburundi kwemeza Itangazo ry'i Genève ryerekeye guteza imbere amagara y'umukenyezi no gukomeza umuryango, ryateweko igikumu kw'igenekerezo rya 22 Gitugutu 2020 i Genève,

Rwashikirijwe n'umushikiranganji w'imigenderanire no gufashanya mw'iterambere.

Iryo tangazo rifise intumbero yo guteza imbere imibereho y'abakenyezi, gukomeza imiryango, no gutsimbataza iterambere ridakumira. Intumbero ni ugitorera inyishu ibibazo bihanze abakenyezi n'imiryango nko kuvurwa, indero, akazi no gutegekaniriza kazoza.

Inama nshikiranganji yarashigikiye ko Uburundi bwomenyesha ko bwemeje iryo tangazo.

## 3. Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano y'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko ku bijanye n'imihora y'ubuhinga bwo guhahana amakuru, yateweko umukono kw'igenekerezo rya 23 Myandagaro 2013 i Kigali,

yashikirijwe n'umushikiranganji wo kumenyesha amakuru, ubuhinga bwo guhanahana amakuru n'ibimenyeshamakuru.

Rimwe mu mahangiro y'ayo masezerano ni uguteza imbere imigenderanire kugirango ihuzamihora rigende neza no gushiraho ibikoresho bigezweho, kugirango ihanahana ry'amakuru rigende neza mw'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko kandi ribe rikwije ibisabwa.

Iyemezwa ryayo rizofasha nko mukworosha ihuzamihora njabukambibe, ikorana ry'imihora, kuroranisha imigambi mu bijanye n'ubuhinga bwa none bwo guhanahana amakuru, no guteza imbere ubumenyi muri ubwo buhinga.

Inama nshikiranganji yaremeje iyo nteguro.

## 4. Urwandiko rushinga ibanki yo kuronsa uburaro abigisha,

rwashikirijwe n'umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi.

Ishingwa ry'ishirahamwe ryo kuziganya no kuguranana ryabaye kubera iterambere ry'ibikorwa vy'igisata kijejwe kuronsa uburaro abigisha Reta yashigikiye kuva gishingwa.

Mu gushinga iryo shirahamwe, abigisha, amasendika hamwe  n'ico gisata babifashijwemwo n'Ibanki nkuru y'igihugu, bashatse kwisunga amategeko agenga amabanki, no kubandanya igikorwa co kuronsa uburaro bwiza abigisha bafatanije n'abo batanguranye ico gikorwa kuva mu ntango. Ni co gituma iryo shirahamwe risaba ko Reta yoja mu nzego nyobozi zaryo.

Inama nshikiranganji yaremeye ko Reta yoserukirwa muri iryo shirahamamwe.

## 5. Integuro y'urugero rw'amafaranga azokoreshwa na Reta mu gice ca mbere c'umwaka wa 2024/2025,

yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta, Ubutunzi no gutunganya imigambi.

Urugero rw'amafaranga akoreshwa rubwirizwa kwubahiriza ibwirizwa rigenga amafaranga akoreshwa na Reta mu mwaka wa 2024/2025, aho ritegeka kwerekana urugero rw'amafaranga akoreshwa mu bisata vya Reta ku mezi atatu atatu, hisunzwe indinganizo y'ibikorwa n'amafaranga ategekanijwe ku mwaka.

Urwo rugero rw'amafaranga akoreshwa ni ikintu gihambaye mu gukrikiranira hafi ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta.

Hisunzwe ibwirizwa rishinga amafaranga yo gukoresha mu mwaka wa 2024/2025, hakoreshwa amafaranga yategekanijwe gusa. Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta ararekuriwe gufata ingingo zikenewe kugira ngo ntihagire amafaranga akoreshwa atategekanijwe.
Iyo nteguro yaremejwe.

6. **Integuro y'ibwirizwa risubiramwo ibwirizwa n°1/02 ryo ku wa 04 Ruhuhuma 2008 rirwanya ukweza amafaranga ahumanye no gutanga uburyo bushigikira iterabwoba,**
   yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta, Ubutunzi no gutunganya imigambi.

Inyuma y'imyaka cumi n'itanu (15) iryo bwirizwa ritanguye kuja mu ngiro, biraboneka ko ririko rirata igihe ku bijanye n'ivyaha rihana.

Ku rwego mpuzamakungu, hariho amategeko mashasha yemejwe harimwo ivyo Uburundi butegerezwa kwubahiriza, navyo bikaba bitarashirwa mu mategeko y'igihugu.

Ubuhinga bushasha bukoreshwa n'abagizi ba nabi buguma butera imbere, bigasaba ko ibihugu nav yo biguma vyihweza ingene vyokorera hamwe mu kurwanya ubwo bugizi bwa nabi.

Kubera utunenge tutari duke turi muri iryo bwirizwa ryo mu 2008, hamwe n'ivyagiye birahinduka ku rwego mpuzamakungu, hamwe n'ingene iryo terabwoba n'uburyo bwo kurishigikira biza biriyongera, birakenewe ko ibwirizwa rihari risubirwamwo rikajana n'igihe.

.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro ikanayunganira, yarayemeje.

7. **Integuro y'itegeko ryerekeye iharurwa ry'ibikoresho vya Reta n'ivy'ibindi bisata vya Reta ,**
   yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta, Ubutunzi no gutunganya imigambi.

Iyo nteguro ije mu rukwirikirane rw'impinduka zagiye zirakorwa mu bijanye n'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta. Ishikirijwe kugira ngo Reta ishobore kumenya neza ubutunzi bwayo mu vyimuka no mubitimuka. Iryo harurwa rigira urutonde rw'ibintu, bikandikwa, bigahabwa igiciro.

Iyi nteguro yerekana :

1° Aho iryo harurwa rihera n'aho riherera;
2° Abo ryega;
3° N'ingene rikorwa.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje ibanje kuyitosora no kuyunganira.

8. **Urwandiko rwerekana ingene imyiteguro ya rusansuma rw'abantu, uburaro, uburimyi n'ubworozi iriko iragenda,**
   rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta ; Ubutunzi no gutunganya imigambi.

Urwo rwandiko rurekana utugorane twibonekeza mu bijanye n'ubuhinga mw'itegurwa ry'iyo rusansuma, rukongera rugashikiriza n'icokorwa.

Inama nshikiranganji yasavye ko imyiteguro yobandanya n'abenegihugu bagahimirizwa kuzokwitaba urwo rusansuma rutangura igenekerezo rya 16 Myandagaro 2024. Rugatangurirwa n'inama abashikiranganji

bagirana n'abari mu makomite y'intara ajejwe rusansuma, maze bakaha intumbero yo gukundisha abenegihugu iyo rusansuma no kuzovigisha ukuri imbere y'abahinga bazoza kubabaza uko bangana, ivyo batunze n'ivyo bakora mu burimyi n'ubworozi. Abagize ayo makomite n'abo basabwa gukwiragiza izo nyigisho gushika ku mitumba no mu makaritiye.

### 9. Urwandiko rwerekeye abanyamahanga b'abatekamutwe baza mu Burundi biyita abanyamitahe,

rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta ; Ubutunzi no gutunganya imigambi.

Abo bantu ahanini baza bavuga ko biyemeza kurondera uburyo bwo kurangura imigambi kandi bakaza bavuga amafaranga menshi cane ariko bagasaba ko Ibanki Nkuru y'Igihugu canke iyindi banki ibishinga bataranagiranira amasezerano na Reta, mu nyuma bikaza kuboneka ko n'amashirahamwe bavuga ko baserukira atabaho.

Inama nshikiranganji yasavye ko ubushikiranganji n'inzindi nzego bohagabira, bakubahiriza amategeko ahari mu kurungika amadosiye yose ajanye n'imigambi ifatwa mu mugongo n'uburyo buva hanze y'igihugu mu bisata vy'ubuhinga bibijejwe kugirango biyihweze kandi biyasuzume, Uburundi bwoye kugwa mu mutego w'abatekamutwe.

### 10. Urwandiko rwerekeye iyinjira ry'Uburundi muri komite mpuzabihugu yamaho ijejwe gutwara abantu n'ibintu mu mazi,

rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandaji, ugutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi.

Iryo shirahamwe ryashinzwe mu mwaka wa 1967 n'ibihugu vya Kenya, Tanzaniya, Ubuganda na Zambiya kugira ngo riteze imbere, rikingire ryongere rikurikiranire hafi ibijanye no gutwara abantu n'ibintu mu mazi , ibidandazwa bishowe canke biranguwe n'ibihugu biri muri iryo shirahamwe.

Ibindi bihugu bitari bike, n'Uburundi burimwo, vyaramaze gutangura gusaba kwinjira muri iryo shirahamwe. Kwinjira muri iryo shirahamwe bifasha gukingira Umurundi arangura canke ashora, ku mafaranga y'umurengera arihishwa n'amashirahamwe atwara abantu n'ibintu, ayategekaniriza impanuka, n'abiyita abakandizi.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino urwo rwandiko, yeremeye ko ubunyamabanga bw'iryo shirahamwe bwomenyeshwa ko Uburundi buryinjiyemwo.

### 11. Urwandiko ruhamagarira Uburundi kwemeza amasezerano mpuzamakungu yerekeye ikawa yo mu mwaka wa 2022,

rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Ishirahamwe mpuzamakungu riraba ivy'ikawa ryagiyeho mu mwaka wa 1963 rishinzwe n'ishirahamwe mpuzamakungu ONU, bivuye kw'iyemezwa ry'amasezerano ya mbere ku bijanye n'ikawa yo mu mwaka wa 1962.
Kuva muri uwo mwaka wa 1962, harashizwe umukono ku masezerano mpuzamakungu menshi yerekeye ikawa, yose akaba yaha ikibanza kidasanzwe ibihugu bigura ikawa.

Ugereranije n'ayo masezerano yagiye arakurikirana, aya mashasha yo mu mwaka wa 2022 arazana impinduka ziboneka mu bijanye n'amategeko kugira ngo n'ibihugu vyimbura ikawa bigire ikibanza nyaco, hamwe rero no gushiraho ibikenewe mu gushigikira iterambere ry'ikawa ku buryo burama. Birakenewe rero ko Uburundi bwinjira muri ayo masezerano kugirango buronke uturusho ayo masezerano atanga.

Inama nshikiranganji ihejeje kwihweza uwo rwandiko, yasavye ko iryo shirahamwe ryomenyeshwa ko Uburundi bwemeje ayo masezerano.

## 12. Urwandiko rwerekeye inzira nshasha yo kugwiza umwimbu mu burimyi no mu bworozi, rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Iyo nzira ni intambwe yindi mu guhindura uburimyi n'ubworozi mu Burundi kugira ngo haboneke umusesekara wo gushira kw'isoko, haba ngaha mu Burundi, mu karere canke kw'isoko mpuzamakungu.

Kugira ngo igihugu gishikire iyo ntambwe, uru rwandiko rushimikira ku bintu bibiri: imbuto hamwe n'umwimbu mu burimyi n'ubworozi.

Iyo nzira nshasha ni iyo gutuma haba igisata c'abagira uburimyi umwuga. Kugira ngo ivyo bishirwe mu ngiro, amatongo ya Reta amwamwe yotizwa abantu canke amashirahamwe yiyemeje kugira uburimyi n'ubworozi umwuga, kandi akwije ibizoba bisabwa.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza urwo rwandiko, yasavye ko amatongo ya Reta yoshirwa ku rutonde hanyuma hakazanwa mu nama nshikiranji indinganizo y'ingene yokoreshwa.

## 13. Utuntu n'utundi

Inama nshikiranganji yarasuzumye ingene isekeza ryo kugira isuku ryatangujwe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu mu gisagara ca Bujumbura ririko riragenda. Yasanze ahanini abantu bararyitavye ku rugero rushimishije ariko ikibabaje bakaba ari abakozi ba Reta bamwebamwe bahejeje igikorwa bagaca bigira mu karuhuko.

Inama nshikiranganji yasavye ko abantu bose bokwamana ku muzirikanyi wabo ko isuku ari ukwamizako.

Bigiriwe i Gitega, igenekerezo rya 15 Myandagaro 2024

**Umunyamabanga mukuru wa Reta**

**Jérôme NIYONZIMA. -**